<u>THEME</u> : IVYEREKEYE INGENE IMANZA ZIKURIKIZWA .

Mu kiganiro co kuri uno musi uri hejuru, tuza kurabira hamwe ivyerekeye ingene imanza zikurikizwa nkuko tubisanga mw'ibwirizwa nimero1/10 ryo ku wa 3 Ndamukiza 2013, risubiramwo igitabo c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Mw'ido n'ido ry'ikiganiro,tuza kurabira hamwe ibi bikurikira :

1. Ingingo ngenderwako
2. Ivyerekeye umunyororo w'agatsindikiro
3. Ugukoresha ibikorwa vy'iterambere rusangi abahanywe
4. Ivyerekeye ibibujijwe uwahanywe n'ubutungane.

I. IDO N'IDO RY'IKIGANIRO

I.1.Ingingo ngenderwako.

Ubushikirizamanza ni bwo bujejwe gukurikiza imanza ku vyerekeye ibihano, umunyororo w'agatsindikiro, hamwe n'indishi yishuzwa na nyene kuyitsindira.Umwanditsi w'imanza na we, ni we yishuza ihadabu, amagarama n'ikori ritangwa ku ndishi ishinzwe na sentare.

Iyo urubanza rutavuga ko uwaciriwe umunyororo aca afatwa ubwo nyene, uwaciriwe igihano ahagarikwa mu gihe ingingo yafashwe itagisubirwamwo.

No mu gihe umucamanza atabitegetse, umunyororoaca afatwa ubwonyene, umushikirizamanza mukuru wa Republika canke umushikirizamanza akukira sentare nkuru isubiramwo, baravye uko urubanza rumeze, babirekuriwe n'umucamanza, igihe ico ari cose, urubanza rumaze gusomwa, barashobora gufatisha uwaciriwe igihano iyo hari imvo zihambaye kandi zidasanzwe, zituma iyo ngingo itegerezwa gufatwa kubera imvo z'umutekano, canke iyo hari ibituma bishemeye vyerekana ko uwaciriwe igihano ashobora gutoroka kugira ngo urubanza ntirukurikizwe. Iyo ngingo itegerezwa kwerekana imvo ziyishigikira.

Ingingo yafashwe n'umucamanza irashobora kwunguruzwa, mu buryo no mu kiringo bitegekanijwe muri rino bwirizwa.

Ubushikirizamanza buca bushikiriza uwaciriwe igihano umukuru w'ibohero azopfungirwamwo, uwo na we agaca atanga urwandiko rwemeza ko amushikirijwe.

Arangije igihano c'umunyororo, uwari yahanywe ategerezwa kurekurwa.
Bisabwe n'ubushikirizamanza, bufatiye ku rubanza rwaciriwe uwahanywe kugira apfungirweihadabu atatanze canke apfungwe umunyororo w'agatsindikiro, uwahanywe aguma apfunzwe kugeza arangije ico gihano c'ugupfungirwa ihadabu atatanze canke ikiringo umunyororo w'agatsindikiro umara canke akaguma mu minwey'ubutegetsi.

Nkuko ingingo ya 283 ibivuga ko umukuru w'ibohero uwaciriwe igihano apfungiwemwo, arafise igitabu kirimwo urutonde rw'abanyororo kandi umushikiranganji ajejwe ubutungane ni we ategekanya ingene kibwirizwa kumera n'ivyandikwamwo.

Mu gihe barekuwe, abanyororo bazi kwandika barashira umukono mu gitabu candikwamwo imbohe. Ku basigaye, umukono ushobora gusubirizwa n'ikindi kimenyetso kibaranga, gisanzwe cemewe ko ari co kimwe n'umukono.

Iyo uwaciriwe igihano yari yatezuriwe umunyororo atanze amahera y'ingwati, sentare yaciye urubanza,ibisabwe n'ubushikirizamanza, ni yo yemeza ko uwo muntu atarengutse kugira urubanza rukurikizwe.

Muri ico gihe, iyo sentare ica ishinga ko ingwati yegukiye isandugu ry'igihugu.

Ingingo ya 285 ivuga ko, ihadabu n'amagarama bitangwa mu minwe y'umwanditsi w'imanza mu kiringo c'iminsi umunani ikurikira umunsi urubanza rubaye ntabanduka.

Bivuye ku ngigo ishinzwe n'umucamanza canke n'umukuru wa sentare yaciye urubanza, ico kiringo kirashobora kwongerezwa.

Umucamanza arashobora gushinga ko ihadabu n'amagarama bitangwa kuva ku munsi urubanza rusomwa iyo rwacitse baburanye imbonankubone,canke kuva umunsi rumenyeshejwe, iyo rwaciwe impaga, igihe bibaza ko uwaciriwe igihano yohava atayatanga.

Muri ico gihe, umwanditsi w'imanza ararengukisha uwaciriwe igihano, kugira ngo arihe ihadabu n'amagarama mu kiringo ashinga, akabishikiriza ku munwa canke biciye mu rwandiko ruzinze ruri mw'ibahasha ritugaye, kandi rucishijwe mw'iposita ; akaronka n'icemeza ko rwashitse.

Bivuye ku ngingo ishinzwe n'umucamanza canke umukuru wa sentare yaciye urubanza, ukwishuza ihadabu n'amagarama birashobora kuba birahagaritswe.

Imenyeshwa ry'urubanza ryerekana ko ihadabu n'amagarama bitegetswe gutangwa mu ndagano yashinzwe.

Iyo ico kiringo kirangiye uwaciriwe igihano atarariha, arapfungirwa ihadabu ritarishwe canke agapfungwa umunyororo w'agatsindikiro.

Ibintu vyanyazwe na Sentare bitangwa hakurikijwe ibitegekanijwe mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

Iyo bigaragaye naho ko umuntu yasinzikarijwe ubuzima kandi akaba yasavye indishi akurikije amategeko, iyo ndishi yose itangwa na Reta.

Mu gihe Reta yahaye indishi uwasinzikarijwe ubuzima, irashobora gushingisha urubanza rwo kwishuza uwakoze ico caha, abo bagikoranye n'ababifisemwo uruhara.

I.2 Ivyerekeye umunyororo w'agatsindikoro.

Nkuko ingingo ya 291 ibivuga, umunyororo w'agatsindikiro werekeye ugupfunga umuntu kugira arihe amafaranga ategerezwa gutanga, ajanye n'igihano yaciriwe. Uwo munyororo usomwa mu rubanza.
Umunyororo w'agatsindikiro ntubuza uwahanywe gusubiza ibintu no gutanga indishi.

Uwaciriwe igihano na sentare mpanavyaha, ni we wenyene ashobora gupfungwa umunyororo w'agatsindikiro. Ba samuragwa biwe, abafise uburenganzira ku matungo yiwe canke abantu baronderwako indishi, ntibashobora gupfungwa umunyororo w'agatsindikiro.

Ikiringo umunyororo w'agatsindikiro umara , giharurwa ku rugero rungana n'amezi atandatu y'umunyororo, ku gihano c'ukuriha amafaranga ibihumbi ijana canke ihadabu ringana n'amafaranga ibihumbi ijana.

Uwahanywe yerekanye ko ata bushobozi afise bwo kuriha ayo mafaranga, ararekurwa amaze gupfungwa umunyororo w'agatsindikiro w'amezi atatu ku gihano c'ukuriha amafaranga canke ihadabu ritarenza 50 000 (amafaranga ibihumbi mirongo itanu) canke umunyororo w'amezi icumu n'abiri ku gihano c'ukuriha amafaranga canke ihadabu rirenga ayo.

Uwahaniwe icaha cerekeye ibiturire n'ibindi vyaha bijanye, ntiyigera afatwa nk'uwudafise ubushobozi bwo kuriha nk'uko vyavuzwe mu gahimba ka mbere k'iyi ngingo.

Ingingo ya 295 ya rino bwirizwa yoyo ivuga ko, abana, abasaza bafise imyaka mirongo indwi n'iyirenga canke umuntu agwaye indwara idakira imusinzikaje ,yasuzumwe n'umurwi w'abaganga wabisabwe, ntibashobora guhanishwa umunyororo w'agatsindikiro, co kimwe n'umugore afise imbanyi y'amezi atandatu n'ayarenga canke yonsa uruhinja rufise amezi ari musi y'atandatu.

Igihano c'umunyororo w'agatsindikiro ntigishobora gukurikizwa hadaciye iminsi icumi kuva uwahanywe ategetswe kuriha amafaranga bisabwe n'uwumuburanya.

Ugusabira umunyororo w'agatsindikiro uwaciriwe igihano, ntivyemerwa mu gihe ikiringo categekanijwe kugira igihano gikurikizwe caheze. Ico gihe kirangiye igihano c'ugupfungwa uw'agatsindikiro kitaratangura gukurikizwa,ntikiba kigitanzwe.
Nk'uko bitegekanijwe muri iki gitabu c'amategeko, amategeko akurikizwa ku vyerekeye imitahe ikoreshwa mu butungane, arakurikizwa ku vyerekeye umunyororo w'agatsindikiro.

Uwaciriwe umunyororo w'agatsindikiro apfungirwa mw'ibohero hisunzwe amategeko atunganya amabohero asanzwe akurikizwa.

Iyo amatungo y'uwaciriwe igihano adakwiye kugira arihe ihadabu yaciriwe, asubize ivyatsindiwe yongere atange indishi, aca abanza gusubiza ivyatsindiwe n'ugutanga indishi.
Mu gihe hatangishijwe ihadabu n'amagarama ya Reta, amafaranga arihwa n'abaciriwe ibihano abanza gukurwako ayo magarama ya Reta.
Abantu baciriwe umunyororo w'agatsindikiro bashobora kudapfungwa canke kurekurwa mu gihe barishe amafaranga akwiranye n'umwenda, canke batanze ingwati yemejwe koikwiranye n'uwo mwenda.

Ingwati itegerezwa kugomborwa mu mezi abiri, bitabaye, ingingo y'ugupfungwa uw'agatsindikiro ica ishirwa mu ngiro.

Igihe amafaranga yose atarishwe, igihano c'ugupfungwa uw'agatsindikoro kirashobora gusubira gusabwa hafatiwe ku mafaranga asigaye kurihwa.

I.3 . Ugukoresha ibikorwa vy'iterambere rusangi abahanywe.

Nkuko ingingo ya 301 ya rino bwirizwa ibivuga, amashirahamwe yipfuza kuronka uburenganzira bw'ugukoresha ibikorwa vy'iterambere rusangi

abahanywe,abisaba umushikiranganji ajejwe ubutungane, umushikirizamanza mukuru wa Republika wo mu karere ibikorwa bizokorerwamwo, abanje gushikiriza ico avyiyumvirako.

Mu gusaba ubwo burenganzira hatangwa ibi bikurikira:

1° Ikopi yemewe y'itegeko nshikiranganji ryemerera ishirahamwe gukora;

2°amategeko ngederwako y'ishirahamwe, n'amategeko ntunganyabikorwa yaryo iyo ahari;

3° urutonde rw'ibigo vy'ishirahamwe n'aho bifise icicaro;

4° izina ry'uwuserukira ishirahamwe imbere y'amategeko, amatazirano yiwe, igenekerezo yavukiyeko n'aho yavukiye; ubwenegihugu bwiwe n'ico akora;

5° ivyegeranyo vy'ivyakozwe n'ishirahamwe ku mwaka ku mwaka, mu myaka itatu iheruka.

Mu gihe vyihutirwa, umushikiranganji ajejwe ubutungane arashobora guha ivy'imfatakibanzaishirahamweuburenganzira bw'ugukoresha abahanywe bashikirijwe canke vyemejwe n'umushikirizamanza kizigenza wa Republika.

Amashirahamwe yegamiye reta, ahabwa uburenganzira bw'ugukoresha ibikorwa vy'iterambere rusangi abahanywe ataco arinze gusabwa.

Ishirahamwe ryahawe uburenganzira bw'ugukoresha ibikorwa vy'iterambere rusangi, riramenyesha umushikirizamanza mukuru wa Republika igihindutse cose mu vyo ryashikirije, igihe ryasaba ubwo burenganzira.

Mu gihe naho ishirahamwe rikoze ikosarihambaye, umushikiranganji ajejwe ubutungane abishikirijwe n'umushikirizamanza kizigenza wa Republika, ashobora kwaka iryo shirahamwe uburenganzira ryahawe.

Urutonde rw'ibikorwa vy'iterambere rusangi n'ingene birangurwa, bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Mu guhitamwo ibikorwa vy'iterambere rusangi bikorwa n'abaciriwe ibihano, iri bwirizwa rivuga ko umucamanza yisunga akamaro kavyo mu mibano na kazoza bitegurira uwaciriwe igihano mu mibano no kukazi, akisunga kandi n'ivyo bashoboye igihe bazosubira kubana n'abandi.

Ingingo ya 308 ya rino bwirizwa ivuga ko,umushikirizamanza mukuru wa Republika ari we akurikirana irangurwa ry'ibikorwa vy'iterambere rusangi we nyene ubwiwe, canke akabishinga umukozi yagenywe, kugira abirongore yongere asuzume ko vyakozwe ku buhinga butegerejwe.
Uwagenywe ngo arongore ivyo bikorwa,aramenyesha bidatevye umushikirizamanza mukuru wa Republika, ico cose catumye ivyo bikorwa bitarangurwa,n'icononywe n'uwaciriwe igihano canke icamubangamiye mu gihe ariko arakora ibikorwa vy'iterambere rusangi.

Mu gihe ibikorwa vy'iterambere rusangi bidakozwe, umushikirizamanza mukuru wa Republika aca ashira mu ngiro igihano c'ugupfungwa canke c'ugutanga ihadabu gitegekanirijwe uwuhanywe.

Ingingo ya 311 ya rino bwirizwa ivuga ko, umuntu yaciriwe igihano c'imperekeza c'ugukurikiranwa mu mibano no mu butungane, akurikiranwa n'umushikirizamanza mukuru akukira sentare nkuru yaciye ico gihano canke umushikirizamanza mukuru w'akarere igihano kibwirizwa gukorerwamwo.

Mu gihe umuntu yaciriwe igihano c'ugukurikiranwa mu mibano no mu butungane yategetswe kwivuza, umushikirizamanza mukuru wa Republika akora ibishoboka vyose ngo avurwe n'ingoga kugira atangure igihano yaciriwe.

Mu gihe naho abona ko bikenewe, umushikirizamanza mukuru wa Republika ashobora gushinga, avyibwirije canke abisabwe n'uwahanywe, ko hasuzumwa

ingene amagara yiwe yifashe, igihe ico ari co cose ariko arakurikiranwa mu mibano no mu butungane.

Mu gihe igihano c'ugukurikiranwa mu bihano no mu butungane kitakurikijwe, umushikirizamanza mukuru wa Republika aca ashinga ko igihano c'ugupfungwa canke c'ugutanga ihadabu caciwe na sentare gikurikizwa, atomoye imvo zatumye afata iyo ngingo.

Umuntu wese yaciriwe igihano c'ugukurikiranwa mu mibano no mu butungane, ashobora gusaba sentare yagiciye gukurwako bimwebimwe mu bitegekanijwe muri ico gihano.

Mu gihe ivyo bisabwe n'umwana yaciriwe igihano, sentare ishinga ingingo ibanje kwumviriza abavyeyi biwe, umurezi, uwumucungera canke bishobotse uwumufasha mu vy'imibano.

Sentareibifitiye ububasha yemera kwakira ivyo bisabwa haheze ikiringo c'umwaka umwe ingingo y'ugushinga ico gihano ibaye ntabanduka.
Mu gihe sentare itemeye ivyasabwe, bisubira gusabwa haciye ikiringo c'umwaka umwe kuva ingingo yo kuvyanka ifashwe. N'iyo bisubiye gusabwa ukundi gusha ni ko kw'uko.

Ugukurwako igihano c'ugukurikiranwa mu mibano no mu butungane bisabwa umushikirizamanza mukuru wa Republika, ari na we ashobora gufata ingingoy'ugushinga ko hakorwa itohoza ry'umuhinga, ryunganira idosiye y'uwubisaba iyo bikenewe.

Umushikirizamanza mukuru wa Republika aca arungikira sentare ibifitiye ububasha iyo dosiye yongeyemwo imvo yishimikije.
Sentare yashikirijwe urubanza ifatira ingingo mu ntahe yo mu mwiherero yisunze ivyashikirijwe n'ubushikirizamanza,uwasavye gukurwako igihano canke umushingwamanza wiwe, abanje kwumvirizwa canke atumweko.

I.4. Ivyerekeye ibibujijwe uwahanywe n'ubutungane.

Ingingo ya 317 ivuga ko umuntu wese yafatiwe ingingo zimwaka uburenganzira, ububasha canke ubushobozi mu rubanza rumucira igihano c'imperekeza, ashobora gusaba sentare yaciye ico gihano guhagarika iyo ngingo yose canke bimwe mu biyigize, mbere n'ivyerekeye ikiringo vyomara.

Mu gihe ibisabwa bijanye n'ingingo y'ugukurwako ububasha, uburenganzira canke ubushobozi hakurikijwe ibitegekanijwe mu gitabu c'amategeko mpanavyaha, vyerekeye ivyaha bikomeye n'ivyaha bisanzwe bijanye n'ivy'ubutunzi, hamwe n'ivyaha vy'ukutubahiriza amatungo ya Reta, sentare ntishobora guhagarika ingingo kiretse uwubisavye amaze gukora igihano gikuru yaciriwe, yatanze indishi kandi yasubije ibindi bintu bitegerejwe hakurikijwe igihano yaciriwe.

Urwandiko rurimwo ivyasabwe rushikirizwa umushikirizamanza mukuru wa Republika wa sentare ibifitiye ububasha, ruratomora igenekerezo urubanza rwaciriweko hamwe n'ibibanza uwusaba ko igihano ciwe gihagarikwa yikurikiranije kubamwo kuva aho aherukira guhanwa canke kuva arekuwe.

Umushikirizamanza mukuru wa Republika atohoza ivyasabwe, agaca abishikiriza sentare ibifitiye ububasha.

Mu gihe vyasabwe n'umwana yahanywe atarakwiza imyaka y'ukwihagararira imbere y'amategeko, sentare ifata ingingo ibanje kwumviriza abavyeyi, umurezi, uwumucungera n'uwumufasha mu vy'imibano, iyo bishobotse.

Mu gihe senatre itemeye ivyasabwe, bisubira gusabwa haciye ikiringo c'umwaka, kuva ingingo yo kuvyanka ifashwe.N'iyo bisubiye gusabwa ukundi gusha, ni ko kw'uko.
Ingingo yafashwe imenyeshwa mu buryo busanzwe bukoreshwa mu kumenyesha ingingp zifatwa n'ubutungane. Iyo ngingo ni ntabanduka.

Mu gihe ivyasabwe bitemewe, uwasavye gukurwako igihano ategerezwa gutanga amagarama. Ariko, sentare yishimikije ingingo idasanzwe kandi ku mvo zumvikana, irashobora kumukurako ayo magarama yose canke igice cayo.

Ingingo y'ugukura canke kugabanya igihano caka uburenganzira, ububasha canke ubushobozi uwaciriwe igihano yandikwa iruhande y'ingingo imucira urubanza no kw'ifishi y'ivyaha yahaniwe.

III.GUSOZERA

Ncuti bagenzi namwe mwese twarikumwe muri kino kiganiro c'agateka ka zina muntu,twariko turabira hamwe ingingo zivuga ivyerekeye ikurikizwa ry'imanza.Twabonye ko ico cose gikorwa mu butungane kigirwa hisunzwe amategeko.

Ikiganiro c'uno munsi munkundire ndakigarukirize ngaha,kuko n'umwanya cagenewe urarangiye . Gédéon NINDAMUTSA nakibashikirije ndabasezeye.